1000 FBU

RUMURIKIRANGABO

MENSUEL

N° 155 IKINYAMAKURU C'INTWARAMIHETO Z'UBURUNDI Rusama 2021





# Iscam, soko ry'ubwenge nyabwo mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi

P.3



## Uburundi-Reta zunze ubumwe za Amerika : Imigenderanire yifashe neza

P.6



## Inyigisho n'imyimenyerezo, umushinge w'ubumenyi muri FDNB

P.5

Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants, Avenue Ngendandumwe * B.P. 2705
Tél.: (257) 22 21 30 56 - (257) 22 21 44 73 * Fax: (257) 22 24 25 90 * E-mail: rumurikirangabo@yahoo.fr
Site Web: www.mdnac.bi

Uruganda rw'ikinyamakuru

Uwurongoye ikinyamakuru
Col. BIYEREKE Floribert

Uwurongoye uruganda
Maj. CIZA Anatole

Umunyamabanga
Maj. MANIRAKIZA Oscar

Uwukosora
Maj. NGEZAHAYO Serge

Abanditsi
Lt-Col. GAHONGANO Emmanuel
Lt-Col. MBONIMPA Jacques
Maj. Ndayiragije Côme
Maj. Nkengurutse Mélance
Maj. NDAYISABA Roger
Maj. NYABENDA Gervais
Capt. NGENZEBUHORO Alice
Capt. NZAMBIMANA Norbert
Capt. NTAKARUTIMANA Ruth
Capt. HABOGORIMANA J. Bosco
Lt. MIZERO Dauphine Axelle

*Ikigo c'imyimenyerezo y'abakomando c'i Gitega*

# Umugwi w'129 waronse impapuro zirangiza inyigisho

*Kuwa 10 ndamukiza 2021, mu kigo c'imyimenyerezo c'abakomando c'i Gitega imikangara itari mike yararangije inyigisho z'igikomando. Ibirori vyo gutanga impapuro zo kurangiza imyimenyerezo vyabereye mw'ikambi y'211.*



*Imikangara 248 bararonkejze impapuro zeremeza ko barangije imyimenyerezo*

Mu ntumbero yo kugumana abasirikare banonotse, bashobora kurangura akazi bajejwe neza ni intumbero nyamukuru y'igisirikare c'Uburundi mu gutunganya inyigisho z'abakigize. Ni no muri iyo ntumbero nyene kuwa 10 ndamukiza 2021 hari ibirori vyo kurangiza inyigisho ku murwi ugira 129 mu rukurikirane rw'abakomando. Abakomando 248 harimwo abigeme 7 nibo baronse impapuro z'umutsindo, ibirori bikaba vyari vyatewe iteka n'icegera c'uwurongoye abasirikare barwanira hasi.

### *Inguvu zakoreshejwe zirashimishije*

Jenerari Majoro Ngendabanka Marius icegera c'uwurongoye abasirikare barwanira hasi ari nawe yari yateye iteka ivyo birori; yarashimye cane ingene bashize inguvu hamwe kugira ivyirwa bigende neza. Mu gushima, yahereye kubarongoye igisirikare, abarongoye akarere ka kabiri ka gisirikare, abarongoye ibatayo y'211 hamwe n'ikigo c'inyigisho c'abakomando. Ntiyibagiye abigisha hamwe n'abanyeshure nabo nyene berekanye ukwitanga kudasanzwe. N'uwurongoye ikambi y'211 nawe nyene mw'ijambo yashikirije yagarutse ahanini kugukengurukira abo bose bitanze mu bitandukanye kugira inyigisho zirangire neza.

### *Ubwira, ubukerebutsi n'inguvu*

Uwurongoye ikigo c'inyigisho c'abakomando, majoro Ndikumana Feredina amenyeshako iyo bariko barigisha abakomando bashasha bashimikira ku bintu nyamukuru bitatu arivyo ubwira, ubukerebutsi n'inguvu. Kubw'ivyo, ingendo ndende zirategurwa zikongera zigakorwa, guca ku migozi no ku yindi mitego itandukanye kugira abakomando bamenye inzira zose zo kurwanya umwansi aho yoba ari hose.

### *Bategerezwa kugumana indero ya gisirikare*

Icegera c'uwurongoye abasirikare barwanira hasi Jenerari Majoro Ngendabanka Marius, yaribukije imikangara irangije ivyirwa ko ubumenyi n'ubuhinga baronkejwe ari ku nyugu y'igihugu n'abanegihugu. Yarongeye abahamagarira kubandanya bakora imyimenyerezo aho bazoba bari hose nk'uko bivurwa ko " ubaye umukomando ari kuguma mu myimenyerezo iminsi yose".

***Capt NTAKARUTIMANA RUTH***

# Iscam, soko ry'ubwenge nyabwo mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi

*Ishure Kaminuza ry'intwazangabo mu ntwaramiheto Iscam ryaruguruye umwaka w'ishure 2020-2021 kw'igenekerezo rya 23 ndamukiza 2021. Hakaba haratanzwe impamyabushobozi ku ntwazangabo zirangije ivyirwa vya Kaminuza zongera zirarahira, haranemererwa ku mugaragaro kwinjira ku bashasha. Uwurongoye kaminuza Iscam akaba yaranashikirije umwimbu w'ivyaranguwe mu mwaka barangije.*




*Umukuru z'Igihugu Ndayishimiye Evariste ahamagarira imikangara yo muri Iscam kubera akarorero abandi*

Umunezero ugaragara ni wo waranga abarongoye Kaminuza hamwe n'abayigamwo, abarimu na cane cane abari bemerewe kwinjira hamwe n'abarahiye imbere y'umukuru w'igihugu. Bose hamwe ni 119 bemerewe ku mugaragaro kwinjira bakaba bagize umugwi wa 50 w'intwazangabo, 44 nabo bararahira bongera baronswa impamyabushobozi n'Umukuru w'igihugu c'Uburundi, hongera haba ibisikanya ku mboneza z'umugwi wa 47 wakorewe mu ngata n'umugwi wa 48 w'intwazangabo.

Umukuru w'igihugu Evariste Ndayishimiye asaba abanyeshure bo muri Iscam kuba intangarugero, akanabasaba gukora ibikorwa biteza imbere igihugu bikanabatera iteka. « Mwinjiye urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi mu gihe turiko turatera intambwe mu bijanye na politike, imibano hamwe n'ubutunzi. Naho ukwinjira kwanyu mu gisirikare kwisunga ubwoko, intara n'ibitsina, tubasaba kwigenza runtu, mukirinda inyigisho zicanishamwo. Ndabasaba kumera nk'intare kugira mucungere imbibe z'igihugu c'Uburundi. Ntimwemere abaza kubigisha inyigisho zitubaka kuko Iscam hinjira abavyipfuza kandi babishoboye.» izo n'impanuro z'Umukuru w'igihugu c'Uburundi yashikirije imikangara yo muri Iscam.

Kubanyeshure barangije ivyigwa muri Iscam, Umukuru w'igihugu abasaba gukora batiziganya kugira umunyagihugu abeho mu mahoro n'umutekano, bagafata ingingo zibereye zifasha abo barongoye kuko ari bo mboneza zabo.

### *Inyigisho za Kaminuza zifise akanovera*

Umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba n'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, barashimiye Leta y'Uburundi kubera idahengeshanya mu kuronsa ibikoresho Iscam kugira itunganye inyigisho zigezweho kandi zifitiye akamaro abanyeshure, ivyo bigatuma hasohoka intwazangabo ziteguwe neza kandi zifise ubumenyi buhagije. Jenerari Niyongabo avuga ko inyigisho za Kaminuza Iscam zituma igisirikare c'Uburundi kigirwa n'abarongozi bafise ubumenyi buhagije kandi aca aremerako Iscam gushigikirwa kwayo mu gisata kiraba ubushakashatsi bizofasha urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi n'igihugu c'Uburundi.

### *Igisirikare kiraterera mu migambi y'iterambere*

Jenerari de Brigade Baratuza Gaspard, arongoye Iscam yarashikirije ivyaranguwe umwaka wose uheze. Amenyeshako umwimbu w'ivyigwa ushimishije cane naho ikiza ca korona virusi cateye ingorane isi yose hamwe no kubura ububiko bw'ibitabo nabwo butari kurugero rwiza. Yamenyeshejeko kwugurura umwaka vyatangujwe n'indwi yahariwe Kaminuza Iscam, ikaba yarimwo ibiganiro bitandukanye, umuco n'akaranga hamwe n'inkino zitandukanye. Umukuru w'igihugu akaba yaravuzeko ico civugo gihuye neza n'imigambi ya Reta arongoye. Yaranemeye ko baganiriye n'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi bazotanguza igisata kiraba imyimeneyerezo no kwinonora imitsi muri Kaminuza y'intwaramiheto Iscam. Yasavye indongozi z'igisirikare hamwe n'abagize urwego rwose rw'ukwivuna abansi kucungera umutekano w'abarundi n'ivyabo hamwe no gukora ibikorwa n'imigambi biteza imbere igihugu c'Uburundi.

Kwugurura umwaka w'ishure w'i 2020-2021 bisozerwa n'umugoroba w'igiteramo, abarongoye igisirikare bari kumwe n'abarongoye Iscam n'abanyeshure bagira uwo mugirwa wo guteramira ku gicaniro.

***Maj MANIRAKIZA OSCAR***

# Komine Isale : Umushikiranganji aritayeho ibikorwa rusangi

*Umushikiranganji w'ukwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba yarifatikanije n'abasirikare bo mw'ikambi ijejwe ivy'inyubako yo ku Muzinda mu bikorwa vyo gukingira ibarabara rigeramiwe no kubomoka ku ruzi Gikoma yongera aritabira ibikorwa rusangi muri Komine Isale mu ntara ya Bujumbura ku wa 24 Ndamukiza 2021.*



*umushikiranganji aratera intege abenegihugu mu bikorwa vy'iterambere rusangi*

Mu ntumbero yo gutera intege abasirikare n'abanyagihugu mu bikorwa vy'iterambere rusangi, Umushikiranganji w'ukwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba Ir Alain Tribetrt Mutabazi yarakoreye ibikorwa rusangi mu ntara ya Bujumbura. Ivyo bikorwa yabitanguriye ku ruzi Gikoma aho inkengera z'ikiraro co kuri urwo ruzi ziriko zirasenyuka zigatuma n'ibarabara ry'igihugu numero 1 (RN1) rigeramirwa.

Umushikiranganji rero akaba yagiye gutera intege abasirikare bo mw'ikambi ijejwe ibikorwa vyo kwubaka yo ku Muzinda iriko irubaka izo nkengera z'ico kiraro mu ntumbero yo gukingira ico kiraro n'iryo barabara. Ivyo bikorwa bikaba rero biriko bikorwa mu ntumbero yo kwitabira akamo Umukuru w'igihugu c'Uburundi Evariste Ndayishimiye aho yasavye ko abasikare boterera agacumu k'ubumwe mu bikorwa vy'iterambere nk'uko Jenerari de brigade Sibomana Ignace arongoye igisata c'ububiko bw'ibikoresho vya gisirikare abivuga.Ni muri iyo ntumbero urwego rwo kwivuna abansi rwaciye rwikora kuri iyo kambi kugira ngo isanure izo nkengera amazi atararenga inkombe.

Umushikiranganji w'ukwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba yabandanirije ibikorwa rusangi muri Komine Isale aho yifatikanije n'abanyagihugu ba Komine Isale mu bikorwa vyo gutaba ikibanza kizokwubakwamwo ikibuga citiriwe «Révolution» c'intara ya Bujumbura hamwe no kwegeranya ibikoresho bizokoreshwa. Aho naho nyene urwego rw'ukwivuna abansi rukaba rwaraterereye i mashini ifasha muri ico gikorwa.

### *Gushira inguvu kw'iterambere rirama*

Umushikiranganji w'ukwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba yarashimye ubukerebutsi n'ukwitangira ibikorwa vy'iterambere rusangi biranga abanyagihugu b'intara ya Bujumbura. Yabasavye kubandanya muri iyo nzira nziza no kwongereza ishaka kuko ivyo gukora mu ntumbero y'iterambere biracahari vyinshi. Yarabavuniye akagohe ko intara ya Bujumbura ifise ubutunzi bwinshi kama bwotuma itera imbere mu gihe bobukoresha neza.

Yabemnereye ko ubushikiranganji arongoye buzogerageza gufasha mu vyo buzoshobora mu migambi itegurwa n'abarongoye intara mu bijanye n'iterambere rusangi, aca abasaba kwama bakorera hamwe kugira ngo bashike kw'iterambere rirama.

### *Amabarabara yosubirwamwo*

Buramatari w'intara ya Bujumbura Ir Nsengiyumva Désiré akaba nawe kw'izina ry'abo arongoye yarakengurukiye Umushikiranganji kuri uko kwifatanya n'abanyagihugu b'intara ya Bujumbura no ku ntererano iriko iratangwa n'igisirikare mu bikorwa vy'iterambere muri iyo ntara.

Ntiyibagiye kumenyesha ko hakiri ingorane z'amabarabara muri iyo ntara aho usanga ndetse ata n'ibarabara rikomeye rishika ku murwa mukuru w'intara rihari nkuko biri mu zindi ntara. Avuga ko ariyo ntara yonyene isigaye idafise ibarara rya kaburimbo rishika ku murwa mukuru wayo. Yaciye asaba Umushikiranganji yari yabagendeye ko yobashikiririza imbere iyo ngorane kugirango iyo natara nayo ironke ibarabara rikomeye rishika ku murwa mukuru wayo.

***Maj NKENGURUTSE MELANCE***

# Inyigisho n'imyimenyerezo, umushinge w'ubumenyi muri FDNB

*Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerari Prime Niyongabo yarugaye umwaka w'inyigisho n'imyimenyerezo w'i 2020-2021 yongera arugurura icese umwaka mushasha w'2021-2022 kw'igenekerezo rya 20 rusama 2021 ku bunywero bw'intwazangabo. Icivugo c'ayo ni : « inyigisho n'imyimenyerezo mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, umushinge wo kumenya neza ibijanye n'umwuga w'igisirikare ». Hakaba haratanzwe ibikombe n'utundi dushimwe dutandukanye kubarushije abandi.*

« Gutunganya igisirikare c'abanyamwuga babushitse mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ni ingaruka nziza zo gutunganya neza inyigisho n'imyimenyerezo ku basirikare bose bagize urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi. Nkaba mfashe akanya ngo nshimire abasirikare bose ku ntambwe bamaze gushikako mubijanye no kwungura ubumenyi. Ndemeza ko inyigisho n'imyimenyerezo bifise akamaro ntangere mu gukomeza ubumwe n'ugufashanya bw'abagize urwego. Musabwa kwubahana, gusenyera ku mugozi umwe, gufashanya mu kazi ka minsi yose. » akaba ari ubutumwa Jenerari Prime Niyongabo yashikirije umunsi wo kwugara umwaka w'inyigisho n'imyimenyerezo no kwugurura umwaka mushasha. Yarashimiye cane umugwi washizweho kugira utunganye ayo mahiganwa, ko witanze ijoro n'umurango kugira ayo mahiganwa agende neza kuko yaheze atawukomeretse kandi atanuwugize ikibazo icari co cose.



*Jenerari Niyongabo Prime arashima ingene amahiganwa yagenze*

Abitabiriye amahiganwa bakinye imikino itandukanye ari yo Football, basketball, volleyball, cross-country hamwe no guca ku migozi no guca ku mitego. Imigwi icenda niyo yashoboye guhiganwa, hakoreshejwe gutomboza kugira ntihagire uwutora guhura n'uwo arusha imikenyuro n'ubushobozi. Iyo migwi nayo akaba ari umugwi w'abarwanira mu mazi, umugwi w'abakora ubuzi bwihariye ahanini bwo gucungera inzego, umugwi w'abarwanira mu kirere, umugwi uhurikiyemwo abari mu nyigisho witwa G7, intara ya gisirikare ya mbere, iya kabiri, iya gatatu n'akakane tutibagiye n'umugwi waserukiye abasirikare bakoresha ibisasu n'ibiduga vya rutura.

### *Ibanga ry'ugutsinda*

Umugwi wari uhurikiyemwo abari mu nyigisho G7 niwo watwaye ibikombe vyinshi bishika kuri 5. Bakaba batsinze muri football, baskeball, cross-country (abagabo n'abagore), hamwe n'igikombe ca gatanu catanzwe mur'urutonde rwa bose. Jenerari Venuste Nduwayo arongoye igisata cavuyemwo iyo migwi yaranezerewe bimwe biboneka hamwe n'abari muri ico gisata. Yamenyesheje ko abakinyi bakwirikije impanuro zose bahawen'abamenyereza babo. Kubwiwe, ibanga ryo gutsinda ukaronka ibikombe n'imidari myinshi n'ukwamizako imyimenyerezo, kandi abakinyi bakaronka ibikoresho vyose hamwe n'uburyo bwo kwitegura neza. Ikindi ni kugira abamenyereza bafise ubumenyi hamwe n'uburambe mu mwuga kugira umugwi ushobore gutsinda imigwi yose uko yoba imeze kwose. Muri ayo mahiganwa intara ya gisirikare ya mbere niyo yaje ku mwanya wa kabiri ikwirikirwa n'idiviziyo ya kabiri.

Abarongoye ama intara za gisirikare baganiriye n'ikinyamakuru Rumurikirangabo baremeza ko amahiganwa nkayo akomeza ubumwe n'ukwumvikana mu basirikare b'Uburundi. Barashimira umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ko yatunganije inkino zihuza abaserukira abandi bo muri urwo rwego, aho akunguko ari kenshi dufatiye ku nyungu n'umunezero biterwa n'ayo mahiganwa.



*Jenerari Niyongabo Prime ashikiriza ibikombe imigwi yatsinze*

***Maj MANIRAKIZA OSCAR***

# Uburundi-Reta zunze ubumwe za Amerika : imigenderanire yifashe neza

*Umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba, Ir Alain Tribert MUTABAZI, yahaye umu bonano ku wa 22 Ndamukiza 2021 intumwa za Reta zunze ubumwe za Amerika zari zirongowe n' uwuserukira ico gihugu mu Burundi umupfasoni Mélanie H. HIGGINS. Izo ntumwa zari mu rugendo rw' akazi kugira ngo zirabe ingene zotsimbataza imigenderanire myiza iri hagati y' ivyo bihugu kuva kera.*



*Umushikiranganji yakira Mme Mélanie H.Higgins, aserukira Reta zunze ubumwe za Amerika*

Ubu ibintu bimeze neza. Uko niko uwuserukira Reta zunze ubumwe za Amerika mu Burundi umupfasoni Mélanie H. HIGGINS yabishikirije igihe yariyakiriwe n'umushikiranganji Ir A T Mutabazi. Yari aherekejwe n' uwujejwe ibibazo vya gisirikare ari muri ubwo buserukizi ari we Majoro Christian NOUMBA. Inyuma y' amezi abiri ashitse mu Burundi, umupfasoni aserukira Reta zunze ubumwe za Amerika avuga ko yanezerejwe n' ukuntu yakiriwe n' abategetsi b' Uburundi. Akaba ashima cane utwigoro tugirwa n'umukuru w' igihugu c' Uburundi, Evariste Ndayishimiye, kugira ngo ateze imbere imigenderanire yo gufashanya n' ibindi bihugu n' uburayi bwunze ubumwe burimwo. Arakira neza kandi intambwe nyinshi zimaze gukorwa mu gukingira ubuzima bw' abantu batwarwa kudandazwa hanze y'igihugu biciye mu guhagarika no gushengeza mu butungane ababikora. Amerika irashima kandi uruhara rw' Uburundi mu gufata mu mugongo ibindi bihugu kugira bive mu ndwano nka Somalia na Centrafrique. Abasirikare b' abarundi baritanga cane rwose mu gucungera amahoro muri ivyo bihugu, nk' uko yabishikirije.

### *Nta rudandazwa rw' abantu*

Umushikiranganji wo kwivuna abansi, Ir A.T. Mutabazi nawe akaba yarashimiye Reta z'unze ubumwe za Amerika abicishije k'uwuziserukira mu Burundi ko kiriko kirabona utwigoro mu gushigikira amahoro kw'isi no kurwanya idandazwa rya kiremwa muntu. Igihugu c'Uburundi kikaba ata rudandazwa rw' abantu rugira ariko hakaba hariho abantu canke uturwi tw' abantu babicishije mu manyanga bandika kandi bakongera bakorohereza mu kwiyunguruza abaja kurondera ubuzi mu bihugu vy'abarabu. Akaba yamenyesheje ko bibabaje kubona hariho abantu batanga ivyegeranyo bitarivyo kugira bacafuze ishusho y' igihugu.

### *Kunagura imigenderanire mu vya gisirikare*

Kurundi ruhande, umushikiranganji wo kwivuna abansi akaba ashima imigenderanire myiza yo gufashanya iri hagati y' Uburundi na Reta z'unze ubumwe za Amerika kuva kera na rindi. Reta z'unze ubumwe za Amerika ziraband anya gufasha uburundi haba imbere canke mu bihe bigoye bwaciyemwo vyo muri 2015 gushika n'ubu n'aho hari ukudatahura ibintu kumwe kwavutse kubera izo ngorane zabaye mu 2015. Izo ngoranre zatumye Reta zunze ubumwe za Amerika zidafasha Uburundi nk' uko vyari biri imbere yaho. Kubwivyo, umushikiranganji yarasubiriye gushikiriza icifuzo c'ukubona Reta z'unze ubumwa za Amerika zinagura uko gufashanya nk' uko kwari kuri ico gihe. Ibisata vyoza imbere muvyo gufashanyamwo navyo bikaba ari nko gusubira kunagura ivy' inyigisho biciye mu vyirwa bitangirwa muri ico gihugu mu bisata bitandukanye, kunagura ikigo bigiramwo icongereza muri Iscam(Institut supérieur des cadres militaires), kugarukana mu Burundi abahinga bigisha bita Acota (African Contingency Operations Training and Assistance) ibijanye no kwigisha abaja kugarukana amahoro mu makungu, gusubizaho indege yajana abasirikare ba Amisom kuramutsa imiryango yabo imuhira, n'ibindi. Mu bijanye n'amagara y' abantu, yarashikirije ko icifuzo co gushigikirwa mu bikoresho vyo kwa muganga, gufasha kwivuza abarwaye umugera wa SIDA, hamwe no kubaka inyubakwa yitwa BIC (Bâtiment imagerie chirurgie) yo ku bitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge.

### *Hariho icizere*

Agarutse kubijanye n'ivyo gufashanya mu vya gisirikare hagati y' Uburundi na Amerika vyacumbagiye kuva 2015, uwuserukira Reta zunze ubumwe za Amerika mu Burundi yaramenyesheje ko, wewe hamwe na Reta y'iwabo barafise ivyizigiro ko uko gufashanya kuzosubira kumera neza aravye intambwe zagizwe n' Uburundi muri aya mezi aheze. Akaba kandi yarashikirije icipfuzo c' igihugu ciwe co kubona hagiyeho ama sezerano mashasha agenga ivya gisirikare (SOFA en Anglais),yahagaritswe haciye imyaka ine.

Umushikiranganji wo kwivuna abansi, Ir A.T. Mutabazi akaba yarijeje uwo aserukira Amerika mu Burundi ko umutekano wifashe neza mu gihugu cose kandi ko n'ingingo nyinshi zafashe kugira ngo twirinde kwandura no kwandukiza wa mugera wa korona.

***Lt-col MBONIMPA JACQUES***

# FDNB-MINUSCA: Umukuru w'inteko za MINUSCA i Bujumbura

*Umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba hamwe n'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi barakiriye mu biro vyabo uwurongoye inteko za MINUSCA aho yari yaje I Bujumbura kuva kw'igenekerezo rya 05 gushika ku rya 07 Rusama 2021.*

Umukuru w'inteko za MINUSCA, Jenerari Sadiki Daniel Traoré ari kumwe n'abamuherekeje yaragendeye abategetsi batandukanye mu rwego rw'igisirikare c'Uburundi kuva kw'igenekerezo rya 05 gushika ku ry'07 Rusama 2021. Muri urwo rugendo, yarabonanye n'umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba, Ir Alain Tribert Mutabazi, hamwe n'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerari Niyongabo Prime. Bose baganiriye ku bijanye n'ibikorwa vya kontenja y'Uburundi mu gihugu ca Centrafrika ku rwego rwa MINUSCA. Ni ibikorwa bishimishije cane nkuko Jenerari Sidiki yabishikirije. Yamenyesheje ko iruhande y'ibikorwa bwite vyo gukingira amahoro n'umutekano, ingabo z'Uburundi ziranaterera agacumu k'ubumwe mu gufasha urwaruka mu bikorwa vyarwo, gucungera umutekano w'abategetsi, baba ab'ico gihugu canke abakozi ba ONU, aha agatanga akorero ko nawe nyene ubwiwe acungerewe umutekano n'ingabo z'Uburundi.

Umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba yarakengurukiye Jenerari Sidiki ku kuntu yitaho akongera akanashigikira ingabo z'Uburundi ziri muri MINUSCA. Umushikiranganji Mutabazi yaremeje ko Uburundi buzobandanya bushigikiye igihugu ca Centrafrika mu vyo gukomeza amahoro muri ico gihugu. Avuga kandi ko Uburundi bwiteguye no kwongereza ingabo mu gihe vyokenerwa ko bitanga izindi ngabo ziyongera kuzo bwari busanzwe bwaratanze. Eka n'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi Jenerari Niyongabo Prime yavuze ko ingabo z'Uburundi zamaze kwiyemeza kubandanya zishigikira amahoro mu gihugu ca Centrafirika.

Kabaye n'akaryo keza ko gusigurira uwurongoye inteko za MINUSCA uruhara rw'urwego rw'ukwivuna abansi



*Baganiriye ku bijanye n'ibikorwa vy'ikontenja y'Uburundi iri muri Centrafrika*

rw'Uburundi mu bijanye no kugarukana amahoro n'umutekano mu makungu. Uwujejwe ivy'imyimenyerezo n'ingwano mu rwego rw'ukwivuna abansi, Jenerari de brigade Niyungeko Léonidas akaba ari we yabisiguriye uwurongoye inteko za MINUSCA n'abari bamuherekeje.

Jenerari Sidiki yahavuye mbere yishikira muri Kings' Conference Center aho yagendeye intwazangabo z'ibatayo y'indwi zari mu nyigisho zibategura kuja mu butumwa bw'amahoro muri centrafrika aho bazoba bagiye kugombora i Batayo ya gatandatu iri mukurangiza ikiringo cayo. Koloneri Nahayo arongoye ikigo kijejwe inyigisho z'abasirikare baja mu butumwa bw'amahoro mu makungu co ku Mudubugu niwe yamwakiriye akaba yaciye amwereka abariko bakurikirana izo nyigisho zari zimaze imisi ine zitanguye.

Muri urwo rugendo yagize ku ntwazangabo ziriko zitegurira kuja mu bikorwa vy'amahoro muri Centrafrika, Jenerari Sidiki yabamenyeshe ko ashima cane ibikorwa vyakozwe n'i batayo ya gatandatu isanzwe iriko yitegurira kurangiza ikiringo cayo. Yashimitse avuga ko iyo batayo yadugije cane ibendera ry'Uburundi mu makungu. Aca aboneraho gusaba intwazangabo z'i batayo y'indwi ziriko zitegurira kuzoja kuyigombora ko nabo bokora nka bagenzi babo mu kuduza cane ibendera ry'Uburundi n'irya Afrika mu makungu, bongere baduze isura nziza y'ishirahamwe mpuzamakungu ONU. Mu kubishikako, uwurongoye inteko za MINUSCA yasavye izo ntwazangabo ko zokwitwararika na ntaryo indero ya gisirikare "discipline" hamwe n'ugukoresha ubumenyi bwa gisirikare banonosoye neza mu kazi kose bazoba bajejwe "professionnalisme".

Jenerari Traoré yahavuye agendera kandi na kaminuza y'intwazangabo ISCAM. Akaba yakiriwe n'uwurongoye iyo Kaminuza, Jenerari de Brigade Baratuza Gaspard. Uwu ayirongoye yarabaciriye ku mayange ubuzima bwa ISCAM hamwe n'ubutumwa ijejwe.

Uwurungoye inteko za MINUSCA muri centrafrika yari yagendanye, muri urwo rugendo rwiwe, na Jenerari de Brigade Mbaraka Naziad Mkeremy ajejwe akarere ko mu buseko, Lt-col Abdoul Aziz Fall, umuvugizi w'inteko za MINUSCA, hamwe na Majoro Ghislain Natégwendé Yoni, asanzwe afasha uwurongoye inteko za MINUSCA.

***Maj CIZA ANATOLE***

# Komine Mabayi: gusubiramwo ibarabara Rumvya –Mugina

*Umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba , Ir Alain Tribert Mutabazi,yarifadikanije n' abenegihugu bo ku mutumba Rumvya muri zone Buhoro komine Mabayi . Hari kuri uyu wa 26 ndamukiza 2021 mu bikorwa rusangi vyo gusibura ibarabara riva Rumvya rija i Mugina. Imivyaro y' ibiti irenga igihumbi nayone yaratewe ku nkombe ziryo barabara.*



*Gukomeza inyabune ni kimwe mu vyatumye Umushikiranganji yishikira ku kivi*

"Gukomeza inyabune" ni kimwe mu bintu bikuru bikuru vyari vyatumye umushikiranganji Mutabazi yishikira ku kivi muri komine Mabayi. Yari yahishikiye kugira ngo atere intenge abenegihugu bo muri iyo komine mu bikorwa rusangi vy' iterambere. Abenegihugu b' i Mabayi basidukanye niyonka bitaba akamo batewe n' abo mu ntwaro babasaba kuza mu bikorwa vy' iterambere rusangi vy' uwo munsi.

### Inyabune ikorana neza

Inyuma yo gushimira umushikiranganji w'ukwivuna abansi kuba yifadikanije n' abenegihugu muri ivyo bikorwa, musitanteri wa Mabayi yaramenyesheje ko inyabune yifashe neza muri iyo komine. Abenegihugu barakorana mu mwumvikano n' abasirikare bari muri iyo komine kandi bama batanga inkuru zijanye n' ico cose coshobora guhungabanya amahoro n'umutekano.

Umuhanuzi wa buramatari ajejwe iterambere nawe nyene yarashimiye abenegihugu b' i Mabayi kubera bamaze gutegera ko iterambere rizova mu maboko yabo. Yarabemereye ko ivyo batazoshobora kwikorera n' amaboko yabo intwaro izobibafashamwo.

### Gukunda ibikorwa

Mw'ijambo yashikirije, umushikiranganji w'ukwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba Ir A. T. Mutabazi, yaramenyesheje ko yari yaje kubatera intege no kubahimiriza gukora ibikorwa vy' iterambere rusangi na cane cane gusibura amabarabara. Yarabasiguriye ko :"Amabarabara afise akamaro kanini mu buzima bw' abenegihugu. Iyo mihora yo gutumatumanako ifasha za ruseha abaniha kunyaruka zijanye abarwaye kwa muganga. Amabarabara afasha kandi imiryango kugenderanira". Yaciye ahamagarira abenegihugu kwitabira ari benshi kandi ata gahato ivyo bikorwa vy' iterambere rusangi kuko ari vyo soko ry' iterambere. Yasavye urwaruka gukunda ibikorwa. Nk' uko Reta yashizeho ibanki yo guteza imbere urwaruka, abasaba kuja hamwe bagasaba ingurane kugira ngo bakore imigambi bongere biteze imbere. Arongera akarusaba gushigikira abo mu ntwaro kuva hasi gushika hejuru. Abo mu ntwaro nabo abasaba kurondera abahinga bofasha urwaruka gutegura neza iyo migambi.

### Kwitangira igihugu mu kurondera amahoro

Mu ntumbero ya ya nyabune, umushikiranganji Mutabazi arashimira abenegihugu b' i Mabayi ku kuntu bakorana neza n' abajejwe kwivuna abansi, abajejwe umutekano n' abo mu ntwaro kugira ngo amahoro arame. Abasoda baritangira igihugu kugira habe amahoro ku buryo ataworonka impembo bikwiranye. Akaba yaciye aboneraho kubatumirira gukora cane kugira ngo bavyaze ayo mahoro ahari mu kugwiza umwimbu batibagiye gukomeza ya nyabune. Yabasavye kuguma bari maso kuko abansi b' amahoro n'umutekano batabuze.

### Gukurikiza ingingo zo kwikingira

Umushikiranganji ntiyibagiye gusaba abenegihugu kubandanya bubahiriza ingingo zafashwe na leta ibicishije mu bushikiranganji bw' amagara y' abantu zijanye no kwikingira no kurwanya umugera wa korona. Inyuma y' ibikorwa vy' iterambere rusangi, umushikiranganji wo kwivuna abansi yaciye agendera ishure shingiro, ECOFO Morija de Ngoma, rikiriko rirubakwa ku musozi wa Kibande muri zone Mabayi. Yahavuye abemereye intererano y' imifuko mirongo itanu y' isima kugira afashe mu kubaka ibirasi vy' amasomero.

**Lt-Col MBONIMPA JACQUES**

# Amisom: Umurwi urimwo impande zompi wo gutunganya ibikorwa vyo kugwanya umwansi ugiye gushingwa

*Uwurongoye ikontenja ya 13 y'abarundi bari muri AMISOM, Jenerari de Brigade Barandereka Télesphore yaragirishije inama abaserukira abajejwe umutekano ba Somaliya bakorera i Jowhar Air Field na Jowhar Town igenekerezo rya 28 ndamukiza 2021. Muri iyo nama yabereye ku cicaro ca kontenja, abayitavye barabiye hamwe ishingwa ry'umurwi urimwo impande zompi uzotunganya ibikorwa vyo kugwanya umwansi.*



*Baganiriye ikibazo c'ukugwanya ibikorwa vy'iterabwoba vya Alshababs*

Inama yo ku magenekerezo ya 14 na 15 ndamukiza 2021 yahuje abarongoye uburere bwa AMISOM n'abaserukira abarongoye inzego z'umutekano za Somariya yaramenyesheje ibikorwa bisabwa gushirwa mu ngiro. Muri ivyo harimwo gushinga umurwi urimwo impande zompi uzoja uratunganiriza hamwe ibikorwa vya gisirikare. Ni muri iyo ntumbero uwurongoye akarere ka gatanu akaba anarongoye Kontenja ya 13 y'abarundi bari muri AMISOM Jenerari de Brigade Barandereka Télesphore yagirishije inama abaserukira abajejwe umutekano muri Reta ya Hirshabelle kugira bashireho uwo murwi.

Uwurongoye akarere ka gatanu yamenyesheje abari mu nama ko intumbero y'umurwi urimwo abasirikare ba AMISOM n'ingabo za Somariya ari ugufasha izo ngabo kugira zifate iya mbere mu bikorwa bitandukanye vyo kugwanya umwansi mu kwitegurira gufata mu minwe burundu ivyo gucungera igihugu cabo mu gihe AMISOM izoba yahejeje ikiringo cayo. Yamenyesheje ko ingabo za somaliya n'iza AMISOM bazoja barategurira hamwe ivy'intambara bagaca bashinga n'ikiringo co kugaba ibitero ku birindiro vy'umurwi Al Shabaab kugira ngo bawutuze. Yamenyesheje kandi ko ikontenja y'Uburundi yiyemeje kubandanya yongerereza ubumenyi abajejwe ingabo za Somariya bakorera mu karere ka gatanu.

Jenerari de Brigade Barandereka yahamagariye abitavye iyo nama gukoresha neza inguvu akarere ka gatanu gafise mu kugira integuro nziza no kubishira mu ngiro neza. Yarashimikiye ku gufashanya n'ugutabarana mu gihe c'igitero, yongera amenyesha ko hamwe amakuru amenyekanye ku gihe, hoboneka indege ibanza kugenzura aho umwansi atumbereye canke indege yivuna umwansi.



*Inama yo gushiraho umugwi uhurikiyemwo bose*

Umurwi urimwo impande zompi wo gutunganya ibikorwa vya gisirikare uzoba urimwo intwazangabo zo mu gisata kijejwe igendereza, ikijejwe ibikorwa bijanye n'ukugwana, ikijejwe ibikoresho, ico gutegura imigambi, ikijejwe inyigisho, n'ikijejwe imigenderanire n'abanyagihugu. Igisata cose kizoba kigizwe n'intwazangabo zibiri, iyo muri kontenja y'Uburundi, n'iyo mu ngabo za Somariya

Ku vyerekeye kwongerereza ubumenyi ingabo za Somariya, uwurongoye igisata kijejjwe inyigisho muri kontenja ya 13 Koroneri Barutwanayo Charles yamenyesheje ko hakenewe uwuserukira ingabo za Somariya yofasha gutanga ivyiyumviro ku nyigisho zihutirwa n'igihe zotangirwa gihurirana n'umwanya wabo

Abari muri iyo nama baronse akanya ko guhanahana amakuru ku kugene umutekano wifashe bongera baremeranya ku ngingo zikwiye gufatwa kugira batuze umurwi w'iterabwoba wa Al Shabaab.

***Lt-Col GAHONGANO EMMANUEL***

# Kontenja z'abarundi bari gufasha mu makungu bararonse ivyuma vyo gupima umugera wa korona

*Umukuru w' igihugu c' Uburundi aherutse kuronsa imashini zibiri zipima umugera wa korona virusi 19 ama kontenja y' abasirikare b' abarundi bari guhagararira amahoro mu bihugu vya Centrafrika na Somaliya. Umushikiranganji w' amagara y' abantu no kugwanya SIDA Dr Thaddée Ndikumana yarashikirije ingabire umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba, Ir Alain Tribert Mutabazi kuri uwu wa 22 ndamukiza2021.*

«Abasirikare b' abarundi bari kugarukana amahoro mu makungu bagiye kuronkera iyo bari impapuro zerekana ko atamugera wa korona barwaye zikenerwa mu kugira urugendo mu bindi bihugu vyoroshe», ivyo vyashikirijwe n' umushikiranganji w' amagara y' abantu igihe yariko ashikiriza umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba ingabire igizwe n' imashini zibiri zitwa ''Genexpert''hamwe n' imiti n' ibindi bikoresho. Iyo ngabire ikazofasha mu gukinga, gupima hamwe no kuvura umugera wa korona abasirikare bari mu bikorwa vyo guhagararira amahoro mu makungu. Umushikiranganji w' amagara y' abantu akaba yaramenyesheje ko gushikiriza iyo ngabire ari gushira mu ngiro ivyo umukuru w' igihugu yemeye igihe yagendera abasirikare bari mu gihugu ca Centrafrika. Abasirikare bari bashikirije ubukene bw' ibikoresho vyo kwikingira no gusuzuma umugera wa COVID 19.



*Imfashanyo igizwe n'imashine zibiri z'ugupima umugera wa Korona virusi*

Ivyo bikoresho vyakiriwe bizotangwa ku makontenja ari mu bihugu vya Centrafrika na Somalia kugira ngo bafashe abasirikare bariyo kwipimisha. Iyo ngabire irimwo imiti yo kuvura abo basanze barwaye uwo mugera. Imashini 'genexpert'bayikoresha mu kurondera ibipimo vyemewe vyerekana ko umuntu ata mugera arwaye. Kubera iterambere ry 'ubuhinga, inyishu z' ibipimo bibereye muri Somalia canke Centrafrika bazoshobora kuzisoma neza ngaha mu Burundi. Igikoresho co gupima bita ''genexpert'' gikorana n' imashini nyabwonko hamwe na terefone bita ''androïd'' mu gifaransa. Abaganga babiri babiri bakukira ubushikiranganji bw' amagara y' abantu nibo bazojana n' izo mashini kugira bigishe bongere bafashanye n' abandi bari muri ivyo bihugu.

Ahejeje kwakira ivyo bikoresho n'imiti, umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba yarakengurukiye umukuru w' igihugu kuri iyo ngabire yari yemeye igihe yagendera abasirikare bari muri Centrafrika. Yarashimiye kandi n'umushikiranganji w' amagara y' abantu kukuntu yaciye abishikiriza mu maguru masha. Iyo ngabire rero izofasha cane abasirikare b' abarundi bari guhagararira amahoro ku birindiro usanga bitegereye ahari amavuriro kuko bashobora kugenda bavyitwaje iyo bagiye hose.

Iyo ngabire ifise agaciro kangana n'amafaranga y' amarundi imiliyoni amajana abiri na mirongo itanu, imiti nayo bakazoshobora kuyikoresha nko mu kiringo ca amezi atatu. Izo mashini ''genexpert'' zishobora kandi gukoreshwa mu gupima umugera wa SIDA hamwe n'igituntu.



*Imfashanyo igizwe n'imashine zibiri z'ugupima umugera wa Korona virusi*

***Lt-Col MBONIMPA JACQUES***

# Abasirikare 33 babashikirizamanza n'inyamiramabi bararonkejwe impamyabushobozi

*Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwarasozereye inyigisho z'abacamanza n'inyamiramabi bo mu gisirikare inyuma y'amezi atandatu bari bamaze muri izo nyigisho. Hari kw'igenekerezo rya 14 Rusama 2021 mu kigo c'inyigisho co mw'ikambi ya Muha. Izo nyigisho zarafashije abazironkejwe kumenya ibijanye n'amategeko hamwe n'ubuhinga mu bijanye n'amatohoza.*



***Jenerari Prime Niyongabo amenyesha ko inyigisho baronse zizotuma bagira ubumenyi buhagije bubafasha kurangura imirimo bajejwe neza***

Abasirikare 33 muri bo harimwo intwazangabo 9 b'abacamanza n'inyamiramabi 5 hamwe n'ibisongerezi 19 b'inyamiramabi bararonkejwe impamyabushobozi. « Mwararonkejwe ubumenyi bukwiye buzobafasha gutohoza neza imanza mu gutunganiriza neza ababitura.[…] Umwanya mwamaranye n'abacamanza n'intwazangabo bo mu rwego rw'umutekano vyatumye mumenyerana n'abo musangiye akazi ataco batakoze mukubaronsa ubumenyi bukwiye. » Ivyo ni ivyashikirijwe na Jenerari Niyongabo Prime arongoye Urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi, mu birori vyo gusozera inyigisho. Yongeye ko amenyesha ko Urwego rw'ukwivuna abansi rwemeza ko ubumenyi baronse buzobafasha gutohoza neza ivyaha hamwe no guca imanza atamakenga.

### *Kwerekana ubushobozi bwo ku rwego rwo hejuru*

Nk'uko vyashikirijwe n'umuyobozi w'ikigo kijejwe inyigisho mu bushikiranganji bw'ubutungane Minani Edouard, inyigisho zijanye n'ubutungane zirakenewe cane kugira ngo abakora muri urwo rwego baronswe ubushobozi bukwiye. Zifise kandi uruhara nshimikiro mukugaragaza ubwigenge bw'ubucamanza, Reta yubahiriza amategeko hamwe no gukingira agateka ka zina muntu wese. Ati : « Mu bijanye n'ubutungane, inyigisho ku bacamanza n'inyamiramabi ni inyigisho zikenewe. Ubutungane buharanira ukuri n'ugutekanirwa kw'abantu bose.

Nk'uko Alphonse Karl yabivuze, "Kubaha amategeko no kuyubahiriza ni igikorwa ngombwa". Inyigisho ni igikorwa ntasubirizwa. Zifatanya cane akazi n'ingene karangurwa. Zituma umuntu wese ashobora gutorera inyishu amahindagurika aba mu mibano. »

### *Gutohoza ivyaha*

Umwe mubaronkejwe impamyabushobozi twaganiriye Riyetena Koroneri Nshimirimana Désiré amenyeshako ivyo babigishije bizobasha kumenya ingene batohoza ivyaha, ingene baca imanza hamwe n'ingene bashikiriza umushikirizamanza icegeranyo c'ivyo batohoje. Ati : « Izi nyigisho zizodufasha kubaha amategeko no kuyubahiriza. »

Urwego FDNB rumenyesha ko ugukarihiriza ubwenge abasirikare ari umushinge ukomeye kugira ngo abarugize baronswe ubumenyi bushimishije no mubucamanza hadasigaye inyuma. Urwo rwego ntaco rutazokora rufatikanije n'ikigo kijejwe inyigisho mubijanye n'ubutungane n'abandi bafashanya mu gushigikira ibikorwa vyo gukahiriza ubwenge mu gutanga ibikoresho kugira ngo abasikare barangure neza akazi bajejwe.

***Capt NGENZEBUHORO ALICE***

*Burundi-Amisom : Ibatayo ya 60 na 61*

# Ibintu bitanu ngenderwako

*Igenekerezo rya 7 rusama 2021, ibatayo zibiri z'Uburundi ziriteguye kuja mu gihugu ca somaliya mu rwego rwa Amisom. Imbere yuko bagenda umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yarabamenyesheje ibintu ngenderwako bitegerezwa kuranga umusirikare wese ari mu butumwa bwo kugarukana amahoro n'umutekano.*



*« Umusirikare wese ategerezwa gukora ibikorwa bitanga ishusho nziza ku gihugu »*

Bose mu mwambaro mushasha w'igisirikare, bashajije, bambaye n'ubufukamunwa kugira bikingire ikiza ca koronavirusi, buzuye mu nzu y'amanama, abasirikare bo mu mabatayo ya 60 na 61 ya Amisom bari barindiranye igishika umukuru w 'urwego rw'ukwivuna abansi mu nama yama agirisha abasirikare imbere yuko baja kugarukana amahoro mu bindi bihugu. Ni isaha zine aho umukuru rw'urwego rw'ukwivuna abansi Jenerari Niyongabo Prime yashika ku Mudubugu. « Mutegerezwa kugira inyifato nziza iranga umusirikare ari mu butumwa bwo kugarukana amahoro » , nkuko Jenerari prime yabimenyesheje.

Indero runtu, ugufatana mu nda, ugukunda igihugu, ubumenyi buhagije no kubaha inzego z'igihugu ni ivyo bintu bitanu ngenderwako abasirikare bari baje muri Somaliya bategerezwa kugendera na ntaryo nkuko Jenerari Prime Niyongabo yabimenyesheje.Yaciye agirako ameyeshako umusirikare azokwitwara nabi, azoca atahanwa buno nyene.

### *Kugumana ishusho nziza y'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi*

Mu ntumbero yo kurangura neza ubutumwa bubarindiriye, umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yatanze itegeko ko abasirikare bokwirinda kwaka amadeni ku badandaza ba Somaliya , acasaba uburongozi bw'izo batayo gufata ico kibazo mu ntoke kugira ntibacafuze ishusho nziza y'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi.

Yarabibukije ko wa murwi w'intagondwa utarashira ibigwanisho hasi. Ari co gituma urugamba rubandanya kugira abanyagihugu aho bakiri mu vyara vy'izo ntagondwa baveyo. Aramenyesha ko Amisom yakoresheje inguvu zidasanzwe mu mu kugwanya umurwi w'abihevyi Al shabaabs. Ariko kumenyeshako Amisom itanga icezere c'amahoro muri Somaliya. Muri kino gihe ivya politike bitifashe neza, ingabo za Amisom muri rusangi eka mbere n'ingabo z'uburundi zitegerezwa kumera magabo kugira Somaliya ntisubire kandi mu ntambara.

### *Bariteguye bimwe bishimishije*

Uwurongoye ikigo gitanga inyigisho kubitegurira kuja kugarukana amahoro n'umutekano mu bindi bihugu, koroneri Nahayo Nicodème aributsa ko ico kigo kijejwe gutegura no gutanga inyigisho ku basirikare bitegurira kuja mu bindi bihugu. Yaciye amenyesha ko abasirikare bo mu mabatayo ya 60 na 61 baronkejwe inyigisho zikwiriye kugira bashobore kuja kugarukana amahoro n'umutekano muri Somaliya. Yaramenyesheje kandi ko n'umurwi w'abahinga bo mw'ishiramwe ry'ubumwe bwa Afrika baherutse kunderura abo basirikare, baribonera bo nyene ko biteguye bimwe bishimishije. Naho biruko,ingorane zozo zirahari muri co kigo. Koroneri Nahayo aravuga ivyuma vyo kubonesherezа ico kigo, interenete na ca kiza koronavirusi.

Abasikare bo mu ma batayo ya 60 na 61 batanguye kugenda muri Somaliya ku wa 8 rusama 2021, bakaba bagomboye abo mu ma batayo ya 55 na 56 Amisom bari bamaze umwaka urenga mu gihugu ca Somaliya.

**Maj NGEZAHAYO SERGE**

# Igisirikare kigwanira mu mazi : Ibahasha ya 7 510 000 yaratanzwe

*Kaporare shefu Nicetegetse na kaporare shefu Havyarimana, bose bakorera mu gisirikare kigwanira mu mazi bagwaye indwara ngendanwa, bararafashijwe na bagenzi babo. Baronse bose ibahasha ingana na 7 510 000 kw'igenekerezo rya 20 ndamukiza 2021.uwurongoye abasirikare bagwanira mu mazi arashima igikorwa c'abasirikare arongoye.*



*Kaporari chef Nicitegetse arashima imfashanyo yaronkejwe*

« Harumvikanyweko abasirikare babiri bari mu gisirikare kigwanira mu mazi aribo kaporare shefu Nicitegetse na kaporare shefu Havyarimana bagwaye indwara ngendanwa arizo indwara y'igisukare uwundi agwaye urwagasha bafashwa », nk'uko bimenyeshwa na Jenerari de Brigade Bibonimana Venant, arongoye igisirikare kigwanira mu mazi. Bari kumwe n'abatambukanyi babo, Jenerari de Brigade Bibonimana Venant yabahaye y'amafaranga yose yegeranijwe.

### *Kuyakoresha neza*

Jenerari de Brigade Bibonimana venant amenyesha ko iciyumviro co gufasha abasirikare babiri bagwaye indwara ngendanwa cumvikanyweko mu nama ya bose. Amafaranga yegeranywa bivanye n'umurwi urimwo ni ukuvuga intwazangabo, ibisongerezi eka mbere n'abasoda batobato. Kari akaryo ko gushira mu ngiro ivyari vyumvikanyweko. Uwo arongoye abasirikare bagwanira mu mazi arashima ukwo gufatana mu nda kwamye kuranga abasirikare b'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi muri rusangi eka mbere n'abagwanira mu mazi. Yasavye abo basirikare baronkejwe iyo mfashanyo kuyikoresha neza.

### *Kuriha ubwa mbere amadeni yaguranye*

Ku basirikare baronkejwe imfashanyo, kari akanyamuneza ntangere. Barashimiye bagenzi babo kuri uwo mutima w'urukundo berekanye mu kubafasha. Kaporare shefu Nicitegetse amenyesha ko iyo mfashanyo ije hageze. « Ngiye ubwa mbere kuriha amadeni nari nasavye mu kugura imiti. Ayasigaye, nzoca ngura ivyo gufasha umuryango wanje », nk'uko yabandanije abishikiriza. Ku ruhande rwa kaporare shefu Havyarimana, kuri iyo mfashanyo avugako nawene azoriha amadeni yari yasavye mu kwivuza. Ayasigaye, avugako agiye kuraba imigambi mitomito yotunganya hanyuma bishobotse yiyubakire akazu mu mafaranga azoba asigaye.

Bivanye n'ubukene umwe wese afise, kaporare shefu Nicitegetse yarongejwe amafanga 4 510 000 Fr Bu mu gihe kaporare shefu Havyarimana yaronkejwe 3 000 000FrBu.



*Jenerari de Brigade Bibonimana venant yarashikirije amafaranga yose yegeranijwe*

***Maj NGEZAHAYO SERGE***

# Inyigisho zijanye n'ukwandika mu kinyamakuru

*Inyigisho ku bamenyeshamakuru zama zikenewe igihe cose kubera ibijanye no kumenyeshamakuru biguma bitera imbere. Ni muri iyo ntumbero ibiro bijejwe kumenyesha amakuru mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwateguye inyigisho ku ntwazangabo zirangura akazi ko kumenyeshamakuru muri urwo rwego kuva kw'igenekerezo rya 28 Mukakaro gushika kw'igenekerezo rya 12 Rusama 2021. Izo nyigisho zikaba zabereye mu kigo c'inyigisho kiri mw'ikambi ya Muha. Zikaba zatunganijwe mu ntumbero yo kubakahiriza ubwenge mu bijanye no kwandika mu bimenyeshamakuru.*



*Basabwa gushira mu ngiro neza ivyo bigigishijwe*

Intwazangabo umunani zikorera mu biro bijejwe kumenyeshamakuru mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi bararonkejwe inyigisho zijanye no kwandika mu kimenyeshamakuru. Izo nyigisho zikaba zamaze iminsi icumi. Nk'uko umworoshabikorwa Ntahogwamiye Gilbert yabishikirije, inyigisho zari zerekeye kuraba ivyokosorwa kugira ngo ikimenyeshamakuru Rumurikirangabo gishobore kuja ku rugero rw'ibimenyeshamakuru mpuzamakungu. Ati : « Nararonse akanya ko gusoma ikimenyeshamakuru Rumurikirangabo, naciye mbona ivyo noshimikirako.Twarasangiye ubumenyi n'imyimenyerezo twisunze uburorero dukura mu bimeyeshamakuru bitandukanye. Nkaba nizera ko ivyo nabigishije bigiye kubafasha mukwandika nk'uko ibijanye no kumenyesha amakuru bibisaba. »



*Ugukarihiriza ubwenge abasirikare ni umwitwarariko w'abarongoye FDNB*

Yahamagariye abari bahejeje kuronswa inyigisho gushira mu ngiro ivyo bize kugira ngo ntibace bavyibagira. Abazironkejwe nabo barashimye ku nyigisho baronkejwe, bakemeza ko zigiye kubafasha cane mu mwuga wabo wa minsi yose wo kumenyeshamakuru.

Ugukahiriza ubwenge abasirikare bifise ikibanza kinini cane mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi mu ntumbero yo kungura ubumenyi abarugize.

***Capt NGENZEBUHORO ALICE***

# Ishigwa mu ngiro ry'iterambere ridakumira

*Ibiro bijejwe iterambere ridakumira vyo mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi bifashijwe n'ishirahamwe PSI Burundi vyarateguye uruganda kugira bahimirize ibisongerezi, hamwe n'abasirikare batobato mu vyerekeye ishigwa mu ngiro ry'iterambere ridakumira. Ivyo bikaba vyabaye kw'igenekerezo rya 12 gushika ku wa 22 ndamukiza 2021 mu turere twose tw'igisirikare.*

Mu ntumbero yo gushira mu ngiro ibikorwa vy'integuro y'umwaka w'i 2020-2021, ibiro bijejwe iterambere ridakumira mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi vyaratunganije uruganda rw'inyigisho mw'ishirwa mu ngiro ry'iterambere ridakumira ku bisongerezi no ku basirikare batobato bo mu turere twose tw'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi. Mu karere ka mbere, izo nyigisho zabereye mu kibanza la Detente. Riyetena koroneri Hakizimana venant akaba ari we yari yaserukiye uburongozi bwa gisirikare mu birori vyo kugurura urwo ruganda. Yarakengurukiye urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwo rwama na ntaryo rwitwararika ishigwa mu ngiro ry'iterambere ridakumira mu gisirikare. Yarashimiye kandi ishirahamwe PSI Burundi ryama na ntaryo rifata mu mugongo mu nyigisho na cane cane mu vyerekeye kugwanya ca kiza ruhonya nganda Sida.



*Igisirikare ntako kidakora kugira ngo iterambere ridakumira rishirwe mu ngiro*

### *Iterambere ridakumira*

Major Nziya phoibe ari mu batanze inyigisho ku basirikare, yarabasiguriye ivyerekeye ic'ari co iterambere ridakumira hamwe n'amabi afatiye ku gitsina. Avugako iterambere ridakumira ko ari ibikorwa bitandukanye n'imigenderanire ifatiye kurivyo bitandukanye bihuza abagabo n'abagore. Aca agirako abasigurirako ishigwa mu ngiro ry'iterambere ridakumira ko ari umugambi abagabo n'abagore barangurira hamwe ibikorwa vy'iterambere hisunzwe amategeko.

### *Ingene abakorewe amabi afatiye ku gitsina bofatwa*

Major Eric Kabayabaya ari mu batanze inyigisho amenyesha ko hari ubwoko bune bw'amabi afatiye ku gitsina. Ubwo bwoko bune ni ubu bukurikira : amabi afatiye mu gusinzikariza ubuzima bwa kiremwa muntu, amabi yo guturubika umuntu , amabi afatiye ku gitsina hamwe n'amabi afatiye ku butunzi. Uwo yatanze ico cirwa amenyesha ko iyo hari uwashikiwe n'ayo mabi, ko ari kumuba hafi hakiri kare. « Uwashikiwe n'ayo mabi ategerezwa kuronswa inyigisho n'impanuro zingene yokwifata kugira ntihazobe inkurikizi mbi mu nyuma. Ariko n'ukuraba ko uwo yashikiwe n'amabi yemera kwakira izo mpanuro » nk'uko major Kabayabaya yabandanije abishikiriza. Yaramenyesheje kandi ko mu gihe ubonye uwashikiwe n'amabi ,ari ukumwegera ukamuyagisha kugira abanze asubize ibigumbagumba hasi. Hanyuma ukamubwira ko yavyitwayemwo neza uravye n'ivyamushikiye, kandi ko naho biruko ubuzima bwiwe bubandanya.



*Baronswa inyigisho zijanye n'amabi akorerwa abakenyezi*

### *Itegeko ridasanzwe rijanye n'ivy'iterambere ridakumira n'ivyo guhana abagirizwa amabi*

Riyetena koroneri Felly Bimenyimana ari nawe nyene mu batanze inyigisho amenyesha ko ingingo ya 41 yo mw'itegeko rigenga urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rirategekanya ibihano kubagirijwe amabi afatiye mu guhohotera kiremwa muntu. Aramenyesha kandi ko hari itegeko ridasanzwe rihana abagirijwe amabi mu ngingo zaryo za 31, 33,34, 36,37, 40 et 41.

***Maj NGEZAHAYO SERGE***

# Ammo: Itunganywa ry'ububiko bw'ibigwanisho vya gisirikare

*Ibiro bijejwe ububiko bw'ibigwanisho vya gisirikare (Ammo) vyaratunganije inyigisho zo gukarihiriza ubwenge intwazangabo zijejwe ibikoresho vya gisirikare mu karere ka mbere. Izo nyigisho zari zerekeye itunganywa neza ry'ububiko bw'ibigwanisho mu buryo bugezweho. Izo ntwazangabo zikaba zizofasha mu kugwanya igwirirana ry'ibigwanisho bito bito.*



*Abaronkejwe inyigisho basabwa kuzishira mu ngiro*

« Ugukarihiriza ubwenge mu bijanye n'itunganywa ry'ububiko bw'ibigwanisho vya gisirikare bifise akamaro kanini ku gihugu. Ntigisubira kugura ibigwanisho vya gisirikare buri gihe. » Ibi ni ivyashikirijwe n'umworoshabikorwa Riyetena koroneri Ndereyimana Kizito igihe hariko harasozegwa inyigisho. Yongeye amenyesha ko amabi ategwa n'ibigwanisho biri mu banyagihugu bizoca bigabanuka. Intwazangabo zakurikiranye inyigisho bamenyesheje ko baronse inyigisho zihagije. Bavuga ko bazofasha ku buryo bushimishije mukugwanya igwirirana ry'ibigwanisho bito bito mu banyagihugu.

### Guturitsa ibigwanisho bidagikoreshwa

Umworoshabikorwa Riyetena Koroneri Ndereyimana amenyesha ko mu nyigisho baronkejwe harimwo gukinga ibishobora guhungabanya umutekano, itondekeshwa ry'amasasu ku buryo bugezweho bw'ishirahamwe mpuzamakungu rya ONU, ububiko bw'amasase, ibijanye no gukingira ububiko, igenzugwa ryayo, gutorera inyishu ku bigwanisho vyiturikije, guturitsa ibigwanisho bidagikoreshwa hamwe n'ibindi.

Umwe mubakurikiranye inyigisho Riyetena Koroneri Ntahomvukiye Pamphile twaganiriye ashikiriza ko ashimishwa n'ubumenyi baronkejwe. Ati : « Twize ibintu vyinshi bizodufasha kurangura neza akazi kacu ka minsi yose. »

### Gukoresha ubumenyi baronkejwe

Umworoshabikorwa Riyetena Koroneri Ndereyimana Kizito yahamagariye intwazangabo zari zihejeje kuronswa inyigisho gukoresha ubumenyi bwose baronkejwe ku neza y'Igihugu muri rusangi n'iy'igisoda na cane cane. Agasaba ko hoba ugukarihiriza ubwenge abasirikare bato bato mu bijanye n'itunganywa ry'ububiko bw'ibigwanisho.

Muri kahise, izo nyigisho zijanye n'itunganywa ry'ububiko bw'ibigwanisho vya gisirikare zari zerekeye ibisongerezi vy'intwazangabo gusa. Rikaba ryari irya mbere izo nyigisho zitunganijwe ku Ntwazangabo.

***Capt NGENZEBUHORO ALICE***